**RCC 10808**

**AMAJAMBO MAKURU MAKURU**

**Amasura atumirijwe - gutanga (guhabwa) ikivi – gutatira itongo – indagano zo gusambuza zubahirijwe (ingingo ya 87 y'itegeko n°1/07 rigenga Sentare Ntahinyuzwa twavuze aho hejuru) – isambuzwa ry'urubanza (ingingo ya 37 y'itegeko n°1/07 twavuze aho hejuru) rishemeye – itongo ry'umuheto (ry'umuryango) – kurondera nyene itongo uwariwe.**

**URUBANZA**

- 1 -

RCC 10808

SENTARE NTAHINYUZWA, ISHASHE MU GISATA CA GASAMBURAMANZA YACIYE URUBANZA RUKURIKIRA : INTAHE Y'ICESE YO KU WA 31.08.2005.

UWITWARA: NT. Astère : umusozi Kabuye, komine Mbuye, Intara ya Muramvya.

UWITWARIRWA: D. Dedithe : umusozi Kabuye, komine Mbuye, Intara ya Muramvya.

Twihweje ikete ryo ku wa 16.07.2003, NT. Astère yandikiye umukuru wa Sentare Ntahinyuzwa Irimwo Gasamburamanza ayisaba isambuka ry'urubanza RCA 3127 rwaciwe na Sentare Nkuru y'Igihugu ya Muramvya kw'igenekerezo ryo ku wa 25.03.2003 narwo rukaba ruvuga ruti :

Sentare ica imanza imbonankubone :

Ishinze ko :

- Yakiriye iyunguruzwa ry'urubanza n° RC 206/2000 nkuko ryagizwe na NT. ariko ivuze ko imburano ziwe zidashemeye ;
- Hakomejwe urubanza rwaciwe na Sentare y'Intango ya Mbuye mu bice vyarwo vyose ;
- Amagarama atangwa na NT. uko ari 5.200 FBu;

Twihweje ko NT. yamenyeshejwe urwo rubanza ku wa 16.06.2003;

Twihweje ivyireguro D. yashikirije Sentare;

Twihweje icegeranyo c'urubanza cagizwe n 'umucamanza wa Sentare Ntahinyuzwa kw'igenekerezo ryo ku wa 03.10.2003 ;

Twihweje iciyumviro canditse cagizwe n'umushikirizamanza mukuru italiki 29.06.2004 ;

Twihweje ko urubanza rwashizwe ku wa 30.12.2004;

Twihweje ko Sentare yahamagaye urubanza muri iyo ntahe y'icese ababuranyi bakitaba bakongera bakumvirizwa ;

Sentare imaze gutohoza neza urubanza ikanyurwa yarahavuye irushira mu mwiherero w'abacamanza iraheza ishinga urukurikira :

- 2 -

Kubera ko NT. Astère asambuza urubanza RCA 3127 rwaciwe na Sentare Nkuru y'Igihugu ya Muramvya ku wa 25.03.2003, ko yarumenyeshejwe italiki 16.06.2003 agaca yandika imburano zo kurusambuza zashitse mw'iyandikiro ry'imanza ku wa 16.07.2003 akongera agashinga uyo munsi nyene ;

Kubera ko NT. Astère akwiye kwakirwa kuko yituye Sentare mu ndagano zategekanijwe n'amategeko ;

Kubera ko mu ntango ababuranyi bapfa itongo, ko NT. yaburana avuga ko yunguruje urubanza kuko urwaciwe na Sentare y'Intango ya Mbuye rutamushimishije ku mvo z'uko itongo yatsindiye ryasavye se, ngo Sentare ya mbere yarihaye ko ikivi D. ;

Kubera ko uyu wa nyuma yavuga ko NT. ari umwishwa, avuka kuri mushiki wa se, ko none ikivi c'itongo yaronse atakimwatse, ko mugabo ahasigaye hose ari aha se MA. na mwene wabo NS. ;

Kubera ko mu guca urubanza Sentare Nkuru y'Igihugu ya Muramvya yakomeje mu bice vyarwo vyose urwaciwe na Sentare y'Intango ya Mbuye narwo rukaba rwavuga ko NT. atsindiye itongo rya NY. kuko abashingantahe bose baremeje ko iryo tongo rya NY. yaryisabiye umutware MU. atari i tongo rya sekuru K., ko D. agumya ikivi inakuru yari yamuhaye kuko ata wavuze ko yapfuye akimwatse ;

Kubera ko mugusambuza urubanza NT. Astère ashimikira ku mvo zikurikira:

- Nta Sentare n'imwe (Sentare y'Intango ya Mbuye na Sentare Nkuru y'Igihugu ya Muramvya) yigeze isaba icemeza canke ngo D. azane ivyabona vyerekana ukuntu yaronse ico kivi mw'itongo ryanje ;
- Icabona ciwe yazanye mu ntahe yo ku mugina aratsindwa, ubu mbabazwa kandi nkatsindishwa n'uko Sentare maze kuburanamwo zose, bantuma ivyabona, nkabizana ariko ntivyumvirizwe ;

Kubera ko mu kwiregura D. avuga ko Sentare y'Intango na Sentare Nkuru y'Igihugu ya Muramvya zabitohoje zigasanga NY. na MA. na NG. bose bava kuri K., iryo tongo rikaba ari iry'uyu wanyuma ;

Kubera ko D. yongera akavuga ko atihakanye NT., ko yogumya ikivi yarironseko kuko ari umwishwa ava kuri mushikiwe, ko ahasigaye hose ari kwa MA. na NG. ;

Kubera ko ikirego ca mbere uwusambuza yatanze tubona ko gishemeye kuko Sentare itatohoje urubanza ngo imenye nyen'itongo uwariwe hagati y'ababuranyi, ko ari itongo NY. yasavye umutware MU. canke ari itongo ry'umuryango rya S.;



Kubera ko n'ikirego ca kabiri kivuga ko Sentare itumvirije amasura ya NT. Astère gishemeye kuko turavye i dosiye ababuranyi baburaniyeko muri Sentare Nkuru y'Igihugu ya Muramvya tubona ko urubanza rwasubijwe inyuma ku wa 12.03.2002 kugirango irindire amasura ; ko mugabo urubanza rwahavuye ruja mu mwiherero w'abacamanza italiki 09.07.2002 ayo masura atumvirijwe ;

Kubera ko Sentare itavuze impamvu itumvirije amasura kandi ubwa kare yari iyakeneye ;

Kubera ko urubanza rusambuzwa ata mvo rufise zo kurushimangira ari naco gituma ibirego uwusambuza yatanze bishemeye none urubanza RCA 3127 rukwiye gusambuka kugirango Sentare irurungikiwe ize irutohoze mu buryo bwose bushoboka mu kwumviriza amasura canke ico cose cotuma inyurwa kugirango imenye hagati y'ababuranyi nyen'itongo ata gukekeranya ;

KUBERA IZO MVO

Sentare,

Yihweje Ibwirizwa n° 1/010 ryo ku wa 18.03.2005 riringaniza Ibwirizwa Nshingiro rya Republika y'Uburundi ;

Yihweje Ibwirizwa n° 1/07 ryo ku wa 25.05.2005 riringaniza Sentare Ntahinyuzwa ;

Yihweje Itegeko n° 1/08 ryo ku wa 17.03.2005, ryerekeye iringanizwa rya Sentare n'ububasha bwazo ;

Yihweje Ibwirizwa n° 1/010 ryo ku a 13.05.2004, ryerekeye amategeko agenga imanza z'amatati ;

Imaze kuja mu mwiherero w'abacamanza nkuko amategeko abivuga ;

Ishinze ko:

- yakiriye isambuzwa ry'urubanza nkuko ryagizwe na NT. Astère kandi isanze imburano ziwe zishemeye;
- Irasambuye urubanza RCA 3127 rwaciwe na Sentare Nkuru y'Igihugu ya Muramvya kw'igenekerezo ryo ku wa 25.03.2003;
- Irurungikiye iyo Sentare nyene kugirango irusubiremwo hashashe abandi bacamanza ;
- Ivuze ko iyi ngingo yandikwa mu bitabo vy'imanza vy'iyo Sentare hambavu y'urubanza rusambuwe ;
- Amagarama atangwa na D. uko ari 8.200 FBu;

Uko niko ruciwe kandi rusomwe i Bujumbura mu ntahe y'icese yo ku wa 31.8.2005; hashashe umukuru w'intahe ; abacamanza bafashijwe n'umushikirizamanza mukuru hamwe n'umwanditsi.

**KWIHWEZA URUBANZA**

AMAJAMBO AVUNAGUYE

NT. mwene NY. yasavye gusambuza urubanza rwa be na D., aho uyu wanyuma D. mwene MA. avuga yemeza ko itongo ari irya sekuru K. NT. rero mwene NY., mushiki wa MA., se wa D., avuga ahubwo ko itongo ari iryo se wiwe yisabiye, none atumva ingene D.(muvyarawe) yorironkako ikivi kandi batavukana.

KUVYEREKEYE ICITWARIRWA

Mu gusoma runo rubanza, ntidushoka dutahura ico ababurana bapfana mu miryango yabo. Twogerageza gusigura no kwerekana ko sentare itasiguye neza ingene imiryango yabo iri.

NG, MA na NY. baravukana bakaba bavyagwa na K. MA. nawe yavyaye D. Aho natwe tudatahura neza n'ingene D. avuga ko NT. avuka kuri mushiki wa se wiwe ariwe NY., ari nawe abashingantahe bemeje ko ariwe yisabiye iryo tongo riri mu matati, ariko NT. wewe akavuga ko iryo tongo ryasabwe na se wiwe. None NY. yoba ari nyina canke wa NT.

Ariko naho nyene bikwiriye ko habaho itohoza rikwiye kugirango hamenyekane nyene itongo kwari K. canke NY. Hamwe Sentare isanze itongo ari irya K., hakamenyekana ko NY. ari se wa NT. kugira ngo NT. abe nawe nyene afise uburenganzira bumwe na D., hamwe NY. ari umukenyezi naho, sentare ikarondera kumenya ingene NT. Astère yaronse ikivi muri iryo tongo.

INGENE URUBANZA RWACIWE

Sentare y'intango ya Mbuye ndetse n'iy'i Muramvya zashinze ingingo zivuga ko abashingahe bose bemeje ko itongo iri iryo NY. yisabiye k'umutware MU., bituma sentare zemeza ko itongo ari iry'umwana wiwe NT. Ariko Sentare zareguriye ikivi D. bafatiye gusa ngo ko yagihawe na inakuru kandi akaba yapfuye atakimwatse.

Itongo rya NT. Rero, ntibitahurika ingene inakuru yoza kuritangako ikivi nyene kukironka agaca aryegukira kandi uwarimuhaye ataburenganzira bwo kurigaba arifiseko.

Turavye ingene D. ashikiriza ivyireguro vyiwe, avuga ko iryo tongo riri mu matati ari irya sekuru K., none NT. adakwiye kurimuterako ahubwo akwiye gushima kuko aho afise atahamwatse kuko yemera ko ava kuri mushiki wa se ariwe inasenge.

Navyo nyene ntibitahuritse kuko umwishwa ntatorana hamwe na ba inarume mugihe afise se wiwe. Bobanza kwihweza ingene yaharonse ko hoba ari ingabire canke yoba yaharonse mu buryo ubu canke buriya.

Kuba rero Sentare atanimwe yumvirije amasura kugira ngo irondere kumenya nyene itongo uwariwe, ni kimwe mu bihaze cane kuko sentare zitegerezwa kurondera kumenya ukuri hamwe no gutatura abatase zisunze amategeko.

INGENE URUBANZA RWUBATSWE

Nkuko Sentare Ntahinyuzwa ifise ububasha bwo kuraba ko izindi Sentare zose zo mu BURUNDI zubahiriza amategeko, nayo ibanza kuyakurikiza mu buryo bwo gutanga akarorero. Uru rubanza turusangamwo ibice vyose amategeko ategekanya mu vyeyerekeye guca imanza. Vyongeye n'ikiringo co gusambuza urubanza nk'uko ingingo ya 87 y'itegeko rigenga Gasamburamanza ibitegekanya arubahirijwe.

Mu ncamake, itongo ry'umuryango risangirwa n'abavukana ariko iryo umuheto ntirigaruka mu muryango kuko nyene kurigabana ntarisangira n'abo bavukana, ritoranwa n'abana biwe gusa.